*Myandagaro 2023* *kirundi*

# Vuga majambo meza!

**Pfa kuvuga ijambo rimwe risa, umusuku wanje aca akira!** (Luka 7,7)

***Kontakt:*** *Meinolf Wacker*
*Kirchplatz 7*
*59174 Kamen*

*Mobil.:* *+49-172-5638432*
*Mail:* *meinolf.wacker@go4peace.eu*
*Homepage* *www.go4peace.eu*

Bakunzi ba go4peace,

„Ndakwiyumvira! Nturi wenyene!“ Burya ijambo nk’iryo riratanga ingoga n’umwizero mu bihe vy’ubuzima – nk’imbere y’ikibazo, imbere ypo kubagwa na mugsngs, imbere yo ,intango ya kazoza utazi ingene kazomera. Rikora nk’urutare rushigikira, igihe ibintu biriko birasha. None woba wibika umuntu yakubwiye bene iryo jambo? Kumbure uraryibwira mu bwongoshwa, ukumva ingene rikugirira neza, rikaguha n’umwizero.

Burya ijambo ryose rivuzwe riragira ico rivuyemwo. Amajambo meza aratanga inguvu, amajambo mabo canke „ibihuha“ agatuma umuntu ajuragirika canke akamukomeretsa. Ukwo kugira ico amajambo meza avyara, emwe umusirikare w’abaromani ku gihe ca Yezu yari abizi. Yashaka ko umuntu wiwe arwariye muhira akira, araheza yizera amajambo ya Yezu: Ariko kandi ntiyashaka no kugora Yezu. Niho yamugira ati : …pfa kuvuga ijambo rimwe risa,umusuku wanje aca akira!“

Haciye imyaka myinshi hari umwiheme w’umunyeshure yashaka gusezera ngo ave mu gisagara cacu. MU bihe vyinshi nari naramushigikiye. Ukwo gusezera ntikwamworoheye. Niho nawemerera kumutwara kuri gare yo mu gisagara kibanyi. Yaravyemeye. Dushitseyo twari tugifise umwanya wo kunywa agakawa. Ntitwayaga vyinshi. Kuba kumwe gusa vyari bihagije.Ndaheza ndamuherekeza aho buririra, nongera ndamutwaza n’ivalisi. Aho hantu hari uruja n’uruza rw’abantu benshi.Hageze ko yikebanura ambwira ati. „Wakoze ku kuntu wanyiziye. Nanje nzoguma ngusabira“.Narahagumye, ndamupepera gushioka igali ya moshi irenge.Haciye imisi, niho haronka ubutumwa muru WhattsApp: „ ese ukuntu vyari bihimbaye kugumana nawe amahaha yanyuma imbere y’urugendo rwanje. Vyarampaye koko inguvu nyinshi be n’umwizero. Ndagukengurukiye n’umutima wanje wose. Kuri jewe wacitse nkj’umuryango wanje!“ - **Vuga amajambo meza**

für das go4peace-Team Meinolf Wacker